# 89: Yarandondey' asanga

1. Yarandondey' asanga
Nnanijwe n' ivyaha,
Anshira ku bitugu
Anjana mu rugo:
Abamarayika biwe
Baririmbira mw ijuru.

Ref: Rwa rukundo rwiwe!
Ya maraso yiwe!
Bga buntu bganzanye mu rugo'.
Mbur' uko mbivuga ntangaye.

2. Yasanze nkomeretse,
Ansomoz' umuti,
Arampumuriz' ati
Humur' ur' uwanje.
Sinaribgumv' ijwi nk' iryo;
Ndema mu mutima rwose

3. Anyerek' ibiganza
N'inkovu z'imambo
N'igitsibo c' amahwa
Yambitswe mu mutwe:
Nibaz'ico yambonyemwo
Cotum' ambabarizw' artyo.

4. None nd' imbere yiwe,
Nakirwa n'umuco
Uva mu nyonga hiwe,
Ndimbur' imigisha
Yampereye mur' iyi si:
Mbur' uko mbimushimira.

5. None nduhutse neza
Mu mutima wanje,

Ndorerey’ urya musi
Azogarukako,
Ngw az' antahurukan' iwe
Ankoy' amaraso yiwe.

Visit us at burundi.indirimbo.com